Ikinyamakuru ca Ekleziya Gatolika
Umwaka wa 71
Gisohoka kabiri mu kwezi
Ikiguzi : 500FBu

# NDONGOZI Y'UBURUNDI

«Jewe ndi wa mwungere mwiza » Jn 10, 11a

Adresse : Candikirwa, kigasohorerwa muri Ndongozi y'Uburundi. Avenue de la mission n° 06

Email:journalndongozi@gmail.com
Facebook :Journal ndongozi y'uburundi Rusiziramarembe; Twitter: Ndongozi y'Uburundi

B.P 690 Bujumbura. Tél.: 222762. WhatsApp 71532337 N°808 01 Ruhuhuma 2024

## Mu muryango w'Abafurera ba Bikira Mariya Umugabekazi w'ikigongwe baraye bagabanye abatumwa bashasha



Foto: Mélance Ndayikeze

*Abo ni abari bahejeje kugira indagano burundu (batatu mu kuboko k'ukuryo) n'abagize indagano za mbere n'uwagize Yubile y'imyaka 25 y'ubusaserdoti (batanu uhereye mu kubamfu), bahagatiye intumwa y'Umwungere wa Diyoseze nkuru ya Bujumbura na Musenyeri w'inararibonye*

Ku wa 20 Nzero 2024, Umuryango w'abafurera ba Bikira Mariya Umugabekazi w'Ikigongwe ku mugabane wa Afrika wari uramukanye akanyamuneza ko kwakira indagano za mbere z'abafurera batanu, indagano za burundu z'abafurera batatu hamwe na Yubile y'imyaka 25 y'ubusaserdoti ya Furera Charles Baravuga.

Inkuka ya misa y'ivyo birori irongowe na Musenyeri Baregensabe

Soma ku Rup. 4

Abakozi ba Ndongozi
Uwujejwe uruganda:
* A. Noël NTIRANDEKURA
Abamenyeshamakuru:
* A. Noël NTIRANDEKURA
* Mélance NDAYIKEZE
* MSV Marie Goreth NDIKUMANA
Uwujejwe ubuhinga:
* Chanel HARINGANJI
Umunyamabanga:
* MSV Marie Goreth NDIKUMANA
Umunyabigega:
* MSV Nadine HARAGIRIMANA
Uwujejwe imigenderanire:
* J. de Dieu NDIKUMANA

## «Urakunda Umukama Imana yawe...ukunde na mugenzawe nk'uko wikunda wewe nyene» (Luka 10,27)



Foto : Emmanuel HAVYARIMANA

Soma ku Rup. 6

## Ibirimwo

o « Iyugururwa rya Yubile y'imyaka 50 y'Ubutumwa bw'Imikangara y'Imana............................................................................................5
o «Urakunda Umukama imana yawe...urakunda mugenzawe nkuko wikunda wewe nyene»..............................................................................6
o « Ubwenge buhanitse bw'ubuhinga bwa none n'amahoro.......................8
o Uburenganzira bwo kugira izina no kwandikwa mu gitabu ndangamuntu.................................................................................................10

# Idominika ya gatanu: *Umwaka B*

## Igisomwa ca mbere : *Yobi 7:1-4.6-7*

Ivyo dusoma mu gitabu ca Yobi :

*«Igihe c'umuntu ari mu marushwa »:*

Muri irya misi, Yobi yaravuze aya majambo ati: «Mbega umuntu akiri kw'isi ntaba ari mu ntambara, imisi yiwe na yo si nk'iy'umucangero? Nk'uko umushumba yipfuza igitutu, umucangero na we akarereka impembo yiwe, ni ko nagabiwe amezi y'amarushwa nkamara amajoro y'umuruho.»

Iyo ndyamye, ndibwira nti: «Buca ryari ngo mvyuke?» Ndara ndagaragurika bukarinda buca. Imisi yanje irihuta kuruta ico umujishi w'impuzu ajisha, ishira ata mwizero. Ibuka, se Mukama, ko ubuzima bwanje ari umuyaga gusa, ijisho ryanje ntirigisubira kubona ivyiza ukundi gusha.

## Igisomwa ca kabiri : *Abanyakorenti, 9:16-19.22-23*

Ivyo dusoma mw'Ikete rya mbere Umutumwa Pawulo yandikiye Abanyakorenti:

*« Noba ndarwiciriye, ntamenyesheje Inkuru nziza »*

Ncuti zanje, ukumenyesha Inkuru Nziza si co kininahaza; ni igikorwa ntegerezwa, kimfatira hose. Noba ndarwiciriye ntamenyesheje Inkuru nziza! Iyo mba ari je ubwanje nihaye ico gikorwa, nokuyemwo impembo.

Ko ata mpembo mfise ni uko ari ibanga nashinzwe. None rero, impembo yanje ni iyihe? Ni uko mu kwigisha mpeza nkigisha Inkuru nziza ata co naka, kugira ngo ndeke gukoresha ivyo noshobora gukura kuri iyo Nkuru nziza nyene.

Egome, n'aho ndi uwidegemvya kuri bose, narigize umushumba wa bose, kugira ngo ndushirizeho kuronka benshi. Mu badakomeye, nabaye nk'uwudakomeye, kugira ngo ngarure abadakomeye; kuri bose nigize vyose, kugira ngo mbashe gukiza bamwebamwe uko nshobora kwose. Ivyo vyose ndabikora ku bw'Inkuru nziza, kugira ngo ntorane mu vyiza vyayo.

# Inkuru nziza : Mariko 1:29-39

**Alleluya! Alleluya!**

*Kristu yarafashe ubumuga bwacu, arigerekako indwara zacu.*

**Alleluya!**

Ivyo dusoma mu Nkuru nziza ya Yezu Kristu nk'uko yashikirijwe na Mariko :

*«Yarakiza abarwaye benshi babababaye kwinshi»*

Bavuye mw'isinagoga, Yezu ari kumwe na Yakobo na Yohani, barora kwa Simoni na Andreya. Inabukwe wa Simoni yari ku musego, arwaye inyonko. Buno nyene, baca baramuvugira. Na we aramwegera aramufata ukuboko aramuvyura. Nya nyonko ica irakira, mbere aja mu vyo kubazimana.

Ku mugoroba, izuba rirenze, bamuzanira abarwaye bose n'abasazwa n'amashetani. Igisagara cose cari gikoraniye imbere y'inzu. Akiza abarwaye benshi babababaye kwinshi; amashetani menshi na yo akayirukana, kandi ntiyayareka ngo avuge, kuko yari amuzi.

Bukeye, Yezu ahengera umutwenzi utarakika, aravyuka, arasohoka, aja mu gahinga ahantu hiherereye, aba ari ho asengera. Simoni n'abo bari kumwe bamuja mu nyuma. Bamushikiriye bati: «Bose bariko barakurondera.» Na we ati: «Hogi tuje ahandi mu bindi bigwati, ndahigishe na ho, kuko ari co canzanye.» Aragenda rero yigisha mu masinagoga yo mu Bugalile bwose kandi yirukana amashetani.

**Igisabisho ca yubile y'imyaka 125 iheze Inkuru nziza ishitse mu Burundi**

**Dawe mweranda, turagukengurukiye ko waturungikiye Umwana wawe w'ikinege Yezu Kristu, akigira umuntu, akaducungura, akatunywanisha na wewe Dawe, akongera akatuvukanisha twese.**

**Dawe Mweranda, nuninahazwe kubw'inkuru nziza Umwana wawe yatumenyesheje. Turagushimiye ku bayakiriye ubwa mbere, bakayimenyesha bahereye i Yeruzalemu, igashika n'aha iwawcu mu Burundi, haraheze imyaka ijana na mirongo ibiri n'itanu. Turagukuriye ubwatsi ku gikorwa c'agatangaza abamisiyonari bose baranguye mu kuyidushikiriza.**

**Dawe Mweranda, turakengurutse ingabirano y'ukwemera n'Ibatisimu yatuvukanishije n'Umwana wawe Yezu Kristu kubera Ijambo ryawe twigishijwe. Turagukengurukiye no kun go z'abakristu zubatse zisunze umugambi wawe. Turagusavye uzikomeze na ntaryo zame ari amayogi y'urukundo n'umwumvikano, abibwamwo Ijambo ry'Imana, ukuri n'ubutungane, amahoro n'ukurekuriranira.**

**Dawe Mweranda, rungikira Mutima wawe ingo zose zihanzwe na vyinshi, ntizihebure, zivome riho inkomezi mw'Ijambo ryawe no mu masakramentu, zongere ziremeshwe n'umuvukano uranga abana bawe.**

**Dufashe ngo iyi Yubile itubere akaryo keza ko kwinagura ngo dukomeze ukwemera kwacu, maze ingo n'imiryango vyitange bitiziganya kugira ngo umuco w'Inkuru nziza ushware imitima y'abantu bose. Tubigusabishije Yezu Kristu Umukama wacu. Yezu, Mariya na Yozefu, Muryango Mweranda w'i Nazareti, Dusabire!**

# Tuzirikane ijambo ry'Imana

Bavukanyi nkunda, ndi n'akanyamuneza ko gusubira gusabikanya namwe ivyiza vy'Imana itugaburira mw'ijambo ryayo ry'iyi dominika ya gatanu yo mu mwaka-B.

Kuw'Imana uheze, twarumvise icazanye Yezu, ko ari ukubohora umuntu mu mpande zose zigize ubuzima bwiwe. Uyu munsi rero turumvise ingene koko ihangiro ryi-we ritanguye kuja mu ngiro.

Ivyo ndabivuze mfatiye kuri iyi Nkuru nziza y'uyu munsi ituyagira ingene Yezu yakijije inabukwe wa Simoni, mbere n'abandi benshi bari barwaye indwara nyinshi zaba zo ku mutima canke ku mubiri.

Dushimikiye aha Yezu akiza inabukwe wa Simoni, turabona ko ari igitangaro kivuzwe mu majambo make, ariko dukuramwo inyigisho zitari nke. Zimwe zimwe ni izi:

**1. Akarorero abigishwa ba Yezu baduhaye.**

Ako karorero ni akahe? Bashitse mu nzu, baciye babwira Yezu ivy'uwo muvyeyi arwaye. Baramuvugiye, bamusabiye kwa Yezu. Iyo nyonko iri mu kibanza c'ico cose kitugora mu buzima, kikatubuza kwidegemvya no gukora ico duhamagariwe. Ni ico cose gituma umuntu aryama hasi, ntagire ico yimarira canke amarira abandi.

Tukiri aha nyene, twibaze: Mbega iyo uwacu amerewe nabi, agowe canke aburaniwe, tuvyifatamwo gute? Kenshi duca turaba ico twokora, bivanye n'ingorane afise, kandi ni vyiza cane.

Ariko mu vy'ukuri, nk'abo bigishwa ba Yezu, ubwa mbere si uko twogira ico dukoze kiboneka kuko na none dushobora kugikora nabi canke kikaba atari co ngirakamaro, ahubwo imbere ya vyose twobanza kubibwira Yezu, kumuvugira ku Mana, kumusabira, kanatsinda twishoboreye bike. Yezu ati: «...Tutari kumwe, ntaco mwokwishoboza»
(Yohani 15:5).

Gutyo rero tumaze kumuhereza Imana mu gisabisho, niho dushobora kubona neza indwara canke ingorane y'umuvukanyi twisunze indabo ya Yezu n'ivyipfuzo vyiwe vy'ugukiza no kubohora. Aho ni ho duheza tugakora ibibereye kandi birama, bikaramira u-wacu. Nkako, tuba tubikoranye n'Umukama.

**2. Inyifato ya Yezu.**

Aho bamubwiriye ikibazo c'uwo murwayi, ko ari ku musego, akeneye ukiza, Yezu ngo yaciye amwegera. Yezu ni uwumviriza, ni uwuturamira muri vyose, mbere akatwegera akatuba hafi mu ngorane zose. Ntiyinyungushura abamusaba n'abamuborogera.

Bwa bundi, igihe cose tumwazambiye, araturasanako, ntatwihoza ngo aturekere mu ngorane twe nyene.

None ga bavukanyi, ubwo turibuka ko Yezu yama hafi yacu yipfuza kuturamira? Turamuhamagara tukamwereka ubuzima bwacu canke ubwa bene wacu?

Ese Kristu we nyene yodufasha kumwizigira no kumenya ko atwama hafi. Maze tubonereho kurema no kuremesha abari mu makuba kubera ko tuzi ko dufise uwudukunda urutari urw'agahemo.

Kanatsinda urukundo rwiwe ntirurondera akunguko (1Kor.13:5), ahubwo ruritanga.

**3. Yezu amufata ukuboko aramuhagurutsa.**

Iki ni ikindi kimenyetso gihambaye. Iki kimenyetso co kumukorako gisigura kumushiramwo ububasha bwiwe bukiza, ukumuhagurutsa bigasigura kumuzura, kumusubiza ubuzima. Na none ni co yari akeneye.

Nkako, muvukanyi, ibiganza vya Yezu uwo bikozeko bimushikiriza urukiza. Kandi ga ubwo bubasha yabusigaranye abatumwa biwe n'abasubirizi babo.

Turabizirikana igihe abasaserdoti batirwa muri wa mugirwa mweranda wo gusigwa amavuta meranda mu biganza: ni ukugira bamere nka Yezu nyene, bashobore gutagatifuza abo bazokwubikako ivyo biganza.

**4. Turatangarira ukungene igitangaro kirangira.**

Wa mukenyezi aca arakira, mbere aca arabazimana, arabafungurira canke arabasukurira. Bisigura iki ukwo kubazimana? Si ako kanya gusa, ahubwo yabaye intango yo gusukurira Umukama n'abiwe. Kwiyemeza gukurikira Umukama no kumukorera cane cane aciye kuri bene wabo. Yezu ati: «Ico cose mwagiriye umwe umwe muri abo batobato tuvukana, ni jewe mwakigiriye»
(Matayo 25:40).

Uwo Yezu agendeye, akijije, aca aja ku kivi akaba umusuku w'abandi, yigana Kristu yaje kutumenyesha ubuzima nyabwo ko ari ubuzima bwitanga ngo abandi boroherwe, bashikire urukiza. Amaze gukiza inabukwe wa Simoni, baciye bamuzanira abarwaye bose n'abasazwa n'amashetani. Babashira hehe? Imbere y'inzu ya Petero. Iyi nzu ya Petero itwibutsa ya Ekleziya Kristu we nyene yashinze Petero.

Abacu barwaye n'abasazwa n'amashetani, birabereye ko tubajana kwa Yezu duciye kuri Ekleziya yiwe. Ni benshi bakeneye kuza canke kuzanwa mu ngoro y'Imana ngo ibabohore kandi ibakize iciye kw'Ijambo ryayo n'amasakramentu meranda adushikiriza ubudasiba Kristu n'inema ziwe.

***Tugire Kristu Mukiza wacu!***

*Patiri Noël Ntirandekura*

# Mu muryango w'Abafurera ba Bikira Mariya Umugabekazi w'ikigongwe baraye bagabanye abatumwa bashasha

(Bitangurira ku rup.1

Gabrile, intumwa y'Umwungere mukuru wa Diyoseze ya Bujumbura, yahererejwe kw'ishule rikuru ry'uwo muryango nyene riri mu Nyakabiga ryitiwe Victor Scheppers (Lycée Scheppers Nyakabiga).

Ibirori vyari vyatewe iteka kandi na Musenyeri w'Inararibonye wa Diyoseze nkuru ya Bujumbura, Musenyeri Evaristo Ngoyagoye, Abasaserdoti, abihebeye Imana n'isinzi ry'abakristu bavuye mu mihingo itandukanye y'Uburundi.

**Abagize indagano za mbere, ni**:

* Novice **Faraday Mukunda Julien** wo muri paruwase yitiriwe umuhimbazwa Anuarita y'i Kakombe diyoseze ya Uvira mu gihugu ca Republika iharanira Demokarasi ya Congo;
* Novice **Habarugira Jean Claude** wo muri paruwase Rushubi diyoseze nkuru ya Bujumbura;
* Novice **Habiyakare Emmanuel** wo muri Paruwase Bugenyuzi diyoseze nkuru ya Gitega;
* Novice **Iratubona David** wo muri Paruwase Mubimbi diyoseze nkuru ya Bujumbura;
* Novice **Niyoyitungira Gérard** wo muri paruwase Mwakiro diyoseze ya Muyinga.

**Abagize indagano za Burundi ni 3:**

* Furera **Nibigira Yves Marie Gabriel** wo muri paruwase Bukwavu diyoseze nkuru ya Bujumbura;
* Furera **Barakamfitiye Bonaventure** wo muri paruwase Munanira diyoseze nkuru ya Bumbura;
* Furera **Ndayishimiye Audace** wo muri paruwase Mwaro diyoseze nkuru ya Gitega.

Uwo musi, kari n'akanyamuneza ko kwigina



Foto : Mélance Ndayikeze

Akanyamuneza k'abagize indagano burundu bahejeje kubambika umutamana uranga abateye iyo ntambwe muri uwo muryango



Foto : Mélance Ndayikeze

Abagize indagano za mbere bari bahejeje kwambikwa ivyambarwa biranga uwagize indagano za mbere muri uwo muryango

Yubile y'imyaka 25 iheze Furera **Charles Baravuga** yatiwe mw'ibanga ry'ubusaserdoti n'iyegereje 50 iheze yihebeye Imana muri uwo muryango.

**Kahise k'umuryango w'Abafurera ba Bikira Mariya Umugabekazi w'ikigongwe**

Iciyumviro ca mbere c'uwo muryango catanguye igenekerezo rya 17 Mukakaro 1837 igihe Musenyeri Victor Scheppers avuka mu Bubiligi yariko arasenga apfukamye imbere y'igishusho ca Bikira Mariya mu rugendo rweranda yari yagize i Montaigu mu Bufaransa.

Uwo Musenyeri yafashe ingingo yo gushinga uwo muryango w'abafurera ku cipfuzo nyamukuru co gufasha abapfungwa mu kubavura, kubigisha ijambo ry'Imana no kubategurira amasakramentu , n'iciyumviro co gufasha abana bo mw'ibarabara mu kubaha ivyo bafungura, ivyambarwa, hamwe no kubigisha. Amategeko y'umuryango yemejwe na Kardinal Sterckx ku wa 25 Nzero 1839 mu Bubiligi.

Umuryango watanguye mu Burundi mu 1950 i Musenyi muri diyoseze Ngozi. Gushika ubu, uwo muryango ugizwe n'abafurera 84 muri bo 51 bakaba ari abarundi. Umuryango uri mu bihugu bitanu: mu Bubiligi, mu Butaliyano, Mu Burundi, muri Algentine no muri Uruguay mu Buhindi.

Akarangamutima k'abihebeye Imana muri uwo muryango ni «Kuba ibikoresho vy'ikigongwe c'Imana». Ngaha mu Burundi, ubutumwa bw'uwo muryango bushingiye ahanini gushigikira indero mu mashule.

Ibimenyetso vy'umuryango bigizwe n'ikanzu icafyeko umusaraba utukura, umutamana wa Bikira Mariya w'Ikarumeli n'ishapule, ikimenyesto co kwambaza umuvyeyi Bikira Mariya.

**Mélance NDAYIKEZE**

# Diyoseze Bubanza: Iyugururwa rya yubire y'Imyaka 50 y'ubutumwa bw'imikangara y'Imana.

Kuri uyu w'Imana igenekerezo rya 21 Nzero 2024, vyari ibidasanzwe muri Katedrali Kristu-Mwami i Bubanza, kuko ariho mu Nkuka y'imisa ya gatatu yatanguye igihe c'isaha zine n'igice (10h30) irongowe n'Umwepiskopi Joriji BIZIMANA asanzwe ahagarariye Papa muri Diyoseze Bubanza, huguruwe icese umwaka wa Yubire y'imyaka 50 ubutumwa bw'Imikangara y'Imana bumaze butanguye muri Diyoseze Bubanza.

Mubari bitavye ivyo birori, harimwo Abaserukiye ibiro bikuru bishinzwe ubutumwa bw'ibikorwa vya Papa,ku rwego rw'igihugu, Abasaserdoti 19 bajejwe ubutumwa bw'ibikorwa vy'ubutumwa bwa Papa mu maparuwase yose agize diyoseze Bubanza, Umwungere w'inararibonye Yohani NTAGWARARA, imikangara n'indemesha baserukiye buri paruwase mu maparuwase 19 agize Diyoseze Bubanza.

Tubamenyeshe ko ubutumwa bw'imikangara y'Imana bwatangujwe na Musenyeri Charles de Forbin-Jason mu gihugu c'Ubufaransa mu mwaka w'1843. Mu mwaka w'1975 niho Nyakwabahwa Musenyeri wa mbere w'umurundi Mikaheri NTUYAHAGA, yaheza akabutanguza hano mu gihugu cacu, cane cane muri diyoseze Bujumbura.

Ico gihe, diyoseze Bubanza ntiyari bwavuke, diyoseze Bujumbura yagarukira ahari Diyoseze Bubanza gushika ubu.

Kw'igenekerezo rya 6 Nzero 2024 huguruwe Yubire yo ku rwego rw'igihugu i Bujumbura, ikazosozerwa mu mwaka uza igenekerezo rya 4/1/2025 i Ngozi. Umusi wo gusozera iyo Yubire ku rwego rwa diyoseze Bubanza, ukazomenyeshwa.

Mu ntango y'Inkuka ya Misa, Patiri François-Xavier NIZIGIYIMANA ashinzwe ubutumwa bw'ibikorwa vya Papa muri Diyoseze Bubanza, akaba anajejwe ubutumwa bw'imikangara muri diyoseze Bubanza yarafashe ijambo, maze agira ati:"

*- Muri iyi Nkuka ya Misa yo kwugurura Yubire, twipfuje guhereza Imana ibintu biatu:*

1° Gukenguruka
2° Guhereza Imana ibizokorwa muri uyu mwaka wa Yubire

3° Gusabira ibikorwa bizobandanya birangurwa inyuma ya Yubire.

Duhereye ku gukenguruka, imikangara y'Imana yaranguye ibikorwa vyinshi muri iyi myaka 50:

- Ibikorwa bijanye no gusenga: abana barijukiye gusenga, kuja mu misa, mu bihimbazo, mu mirwi y'abaririmbiramana, abatambiramana , abiyirekeramana, abakorezi, utugoroba tw'abana.

- Ibikorwa vyo kumenyesha Inkuru Nziza: abana barigishije abandi kugendera ubukristu n'igisabisho, kuja mu mibano y'imikangara, kujana inyenyeri mu ngo...

- Ibikorwa vy'urukundo: gufasha abana bagowe babasanze aho baba, gufasha abana b'impfuvyi babasanze mu bigo vyabo; no gufasha abana bo mu bindi bihugu mu gutanga intererano zija mu kigega rusangi kiri i Roma kwa Papa.

- Ibikorwa vy'ikigongwe: gufasha abatama n'abatamakazi, abagowe...

2° Guhereza Imana ibizokorwa muri uyu mwaka wa yubire

- Kunoganza icivugo ca Yubire naco kikaba kigira kiti: "Umwana wese yabatijwe, ni umutumwa wa Yezu-Kristu mu Burundi no kw'isi yose".

- Guhimiriza abana kugura Bibiliya y'abana no kubigisha kuyisoma neza;

- Guhimiriza abana bose babatijwe kuja mu mikangara;

- Kwigisha abana kuvuga ishapule y'Abamisiyonari;

- Kubandanya duhimiriza abana ngo barushirize kwiyumvamwo umutima w'ibikorwa vy'urukundo n'ikigongwe;

- Kwigisha abana kwitunganiriza imigambi mito mito y'iterambere

- Guha inyigisho zikwiye ku ndemeshamikangara kugira zizoshobore gufasha imikangara;

- Kuringaniza ihwaniro (mini-forum) n'igiteramo co gusenga.

- Guha inyigisho abavyeyi, abamenyeshamana, abigisha barezi, zijanye n'ubutumwa bw'imikangara y'Imana...

3° Gusabira ibikorwa bizobandanya birangurwa inyuma ya yubire.

Twipfuza ko iyi Yubire yoba uburyo bwo gutera intambwe nshasha, mu kuremesha ubutumwa bw'imikangara y'Imana maze Kristu amenyekane kw'isi yose, mu bana mu rwaruka no mu bakuze".



Foto : Emmanuel HAVYARIMANA

Munsiguro y'uwo musi Musenyeri Joriji BIZIMANA yari arongoye Inkuka ya Misa yarashimiye urwaruka ruhurumbira ubutumwa bw'imikangara y'Imana, aca arusaba guhurumbira cane ishure kugira bagire ubumenyi, kuko ari naho bazoshobora kuja no mu bindi bihugu kumenyesha Ijambo ry'Imana mu gikorwa c'ubumisiyonari.

Ibirori vyarangiriye mu kigo nshingwabutumwa ca diyoseze, aho basangiye akavunamusase.

Kubera igihe c'imvura n'abaja mu maparuwase yakure, ibirori vyarangiye igihe c'isaha icumi (16h), z'umuhingamo.

***Emmanuel HAVYARIMANA***

# «Urakunda Umukama Imana yawe...ukunde na mugenzawe nk'uko wikunda wewe nyene» (Luka 10,27)

Ku mugoroba w'igenekerezo rya 19 Nzero 2024, abari mu mashengero ahurikiyemwo abemera Kristu barahuriye hamwe mw'Ishengero y'aba Anglicani, yitiriwe Mariko Mweranda, (Paruwase yo mu Ngagara), ngo basengere hamwe basabira ubumwe bw'abemera.

Ijambo ry'Imana ryamurikiye ico gisabisho rikaba ryagira riti: «Urakunda Umukama Imana yawe...., urakunda mugenzawe nk'uko wikunda wewe nyene» (Luka 10:27.28).

### *Abari bitavye ico gisabisho ni bande ?*

Ku ruhande rw'Ekleziya Gatolika, bari barongowe na Musenyeri Anatole Ruberinyange, icariho gikuru c'Umwepiskopi Mukuru wa Diyoseze Nkuru ya Bujumbura, ari kumwe na Patiri Félix Fupi, patiri mukuru wa paruwase Mvyeyi Katedrale Regina Mundi na Patiri Déo Bizimana, Patiri mukuru wa Paruwase Ngagara.

Ku ruhande rw'Ishengero Anglikani ari nayo yari riramukiwe kwakira ico gisabisho mpuzamashengero, yari irongowe na Nyenicubahiro Musenyeri Eraste Bigirimana.

Hari kandi abaserukiye Ishengero ry'aba Batista, iry'Abagenzi b'Inkuru Nziza, iry'abametodiste biyunze n'abigenga (Méthodiste Unie na Méthodiste Libre), iry'aba Luteriano b'Inkuru Nziza, iry'aba Kimbanguiste, be n'iry'aba Orthodoxe.

Hari kandi n'imigwi y'abaririmbiramana yaremesheje ico gisabisho mu ndirimbo. Aho twovuga umugwi w'aba Anglikani wo muri Paruwase yitiriwe Mariko Mweranda, uw'aba Katolika wo muri Paruwase Yozefu Mweranda yo mu Ngagara, uw'aba Méthodiste Unie bo muri Paruwase Cibitoke (mu gisagara ca Bujumbura), be n'uw'aba Batista bo mu Ngagara.

Igisabisho c'inyinjizo cashikirijwe na Musenyeri Anatole Ruberinyange. Muri ico gisabisho, yaribukije ko amashengero ari mu Burundi arenga 760, ariko ayemeye gukoranira muri ico gisabisho akaba atarenga amashengero 9 gusa.

Yarasavye Imana ayo yandi mashengero atarava hasi ahamvye ayandi. Yasabiye abakristu bahurikiye muri ayo mashengero y'abemera Kristu hatsindwe ingendo y'amacakubiri, nyabuna hagati muri bo bamane ubumwe mu vyo bakora vyose.

Ugusigura akahise k'igisabisho c'ubumwe bw'-abemera n'intumbero y'uyu mwaka w'2024 vyashikirijwe na Nyenicubahiro Musenyeri Eraste Bigirimana, wo mw'Ishengero ry'aba A-nglikani.

Yaribukije ko ako kahise kama kasiguwe uko bakoranye buri mwaka, karasubirwamwo ku bw'ababa baje ubwa mbere. Arongerako ati: " Muri kahise harabaye ivyo abarongoye ayo mashengero batumvikanyeko, vyatumye bacanamwo, bamwe bagafata inzira yabo, abandi iyabo, mbere banwe ngo bakibwira bati: «Ni twebwe turi abakristu nyakuri», ariko bose bagumye bitwa aba Kristu.

Vyongeye, n'ubwo ayo mashengero atandukanye, ngo n'ibitabu vy'iyobokamana usanga bakoresha ni bimwe". Akaba yasavye abari aho ko bohimiriza n'abandi, bakaja baritabirira ico gisabisho ku bwishi, mu myaka ikurikira. Kuko ngo hariho abakivuga ukutari kwo».

Yaribibukije kandi abibaza ko intumbero yoba ari iy'ukugira ishengero rimwe, ko atari vyo, nyabuna ko ari uguharanira ubumwe bushingiye kuri Kristu, be n'akaranga basangiye k'ubukristu, kuko ngo abakristu bakwiye kwibuka ko bafise Umukama umwe bakwiye kuyoboka, Kristu, bakitwararika ivyo yabigishije.

### *Gusoma ijambo ry'imana*

Ahejeje, hakurikiye ugusoma n'ugusigura Ijambo ry'Imana. Igisomwa ca mbere cavuye mu gitabu c'Irema canke Itanguriro /Amamuko (Irema 18:1-8); casomwe na Rév. Valentine CIMPAYE. Inkuru Nziza ya Yezu Kristu yanditswe na Luka (Luk.10:25-37) yashikirijwe na Rév. Evariste NIYUNGEKO.

Insiguro y'iryo Jambo ry'Imana yatanzwe na Musenyeri Anatole Ruberinyange, aho yashimikiye ku nkuru y'umunyasamariya w'ikigongwe, agasaba abemera Kristu kurangwa n'umutima ubabarana kandi ukundana bataravye ubutandukane hagati yabo, kandi bakirinda gucokorana ku vyo bamwe n'abandi bemera.

### *Ibisabisho rusangi*

Muri ico gisabisho rusangi, barasavye Imana urukundo n'ubumwe mu bemera Kristu ( Patiri Déo BIZIMANA, Patiri mukru wa Paruwase Yitiriwe Yosefu mweranda Ngagara), barasaba amahoro, urukundo n'umwumvikano hagati y'ibihugu biri mu karere k'ibiyaga binini : Burundi,Congo, Rwanda ( Rév. HATUNGIMANA Joseph, Icegera c'Umwibutsamana Mukuru mu gisirikare c'Uburundi) abemera Kristu barasabiye kandi amahoro n'umutekano ibihugu vyose biri mu ntambara, nka Israël na Palestine, Ukraine (Rérend Pasteur Sylvestre Sahinguvu (Orthodoxe).

Barasabiye kandi umutima w'urukundo rwitwararika abari mu ngorane zitandukanye: abakene, abanyororo, impunzi, impfuvyi, n'abandi (Rév. Pasteur Alexandre Sinzinkayo). Rév. Pasteur Juvénal Nzosaba nawe akaba yasabiye ingo n'imiryango ngo zirangwe n'urukundo ruva ku Mana.

Tubibutse ko ico gisabisho c'ugusaba ubumwe bw'abemera Kristu cama kiba mu ndwi yo kuva kw'igenekerezo rya 18 gushika 25 Nzero uko umwaka utashe.

***Patiri Noël Ntirandekura***

# Ubwenge buhanitse bw'ubuhinga bwa none n'amahoro

*(Ibikurikira)*

Ivyo babigira bishimikije inyungu zabo zitamenywa n'abifashisha ubwo buhinga mu buryo busanzwe; izo nyungu na zo usanga zifatiye ku rudandazwa canke ku vya politike.

Benevyo ntavyo baba baciye n'ikanda, bigatuma badashobora kwisanzura no kwiyumva hageze guhanahana amakuru ca-nke ivyo bakora.

Nkako, kubera ko urubuga ngurukanabumenyi rwama rwuzuye amakuru y'umurengera, abahinga barashobora gucekera amakuru ku buryo bene kwifashisha ubwo buhinga ata na kimwe bamenya.

Dutegerezwa kwibutsa ko ubushakashatsi mu vy'ubumenyi no mu vy'ubuhinga bwama bugirwa buri n'ico bwisunga, kuko bufatira ku mico y'igihe abantu bagezemwo. Kubera ko ari ibikorwa bihingurwa n'abantu, vyama vyisunga intumbero ifatiye ku mico n'imigenzo y'abantu, ku kibano no ku gihe abantu bagezemwo.

Ivyo rero bica bitanga inyishu canke ivyamwa bifatiye kuri ico gihe nyene. Nkako ingingo zifatwa ziza zifise intumbero bisunze mu gihe cabo. Ivyo turiko turavuga birajanye rwose n'ibi twita « ubwenge buhanitse bufatiye k'ubuhinga bwa none ».

Nkako, nta jambo ndangurakintu ryabwo riraboneka haba mu gisata c'ubumenyi canke c'ubuhinga. Ego, iryo jambo riramaze kwinjira mu mvugo ya none mugabo ico risigura kikaba kigizwe n'ibintu vyinshi bijanye n'ubumenyi, be n'ubuhinga burondera ko imashini zigana mu ngiro yazo ububasha bw'ubumenyi bw'umuntu.

Nico gituma, turivuze mu bwinshi tuba turondera nyene kwerekana iyo manga iri hagati y'ibigize ubwo bwenge buhanitse, naho umengo biratangaje, n'umuntu ubwiwe.

Yamara naho bihambaye biri naho bigarukira kuko vyigana canke bikora bimwe bimwe gusa mu bijanye n'ubushobozi bw'ubwenge bw'u-muntu. Mu gukoresha mu mvugo yo muri bwinshi, tuba dushaka kwerekana dushimitse ko ubwo bwenge bugizwe n'ibintu vyinshi bifatiye ku mico n'igihe ca bene kubihingura no kubikoresha.

Nico gituma, inkurikizi zavyo ziza zifatiye ku bavyiyumviriye, bakabihingura, bakabiteza imbere bisunze intumbero zabo, hamwe n'inyungu babifisemwo n'igihe baba bagezemwo. «Ubwenge buhanitse bufatiye k'ubuhinga bwa none » duhamagariwe kubutegera nk'agatu gashishiriye ibintu vyinshi bitandukanye.

Ntidushobora kwiyumvira yuko iterambere ryabwo rizokwama ryunganira, ku buryo



ngirakamaro, kazoza k'isi n'amahoro hagati mu bantu. Kugira ngo bugire ikimazi ni uko twese tuvira hasi rimwe maze tukarwanira agateka be n'imico yubaka zina muntu wese irangwa n'«ukwakira bose, ugukorera mu muco, umutekano, ubutungane, n'ukwizerana. »

Ntawoja ngaho ngo yiyumvire yuko abahingura ubwo bwenge mu kwiyumvira ihumbi ryose ry'ubuhinga bakoresha ko bama bashira imbere igikuza umuntu mu mico yiwe canke mu ngiro yiwe.

Ni co gituma haguma hakenewe gutegekanya no gukomeza inzego zokwama zihweza ibijanye no gukuza umuntu no gukingira uburenganzira bw'ababukoresha mu buryo butandukanye canke abo bushikira mu buryo n'ubundi.

Uko ubwo buhinga bushwara isi niko bikenerwa gutegekanya inyigisho zibereye zo gufasha abantu gukorana ubwitonzi mu kubuteza imbere. Ukwishira n'ukwizana be n'umuba no wubakiye ku mahoro biguma bigeramiwe igihe cose abantu bagwa mu nyosha mbi z'ukwikunda, ukwironderera inyungu, ugutwarwa n'umunoho w'ivy'isi be n'akanyota k'ubukuru.

Dutegerezwa kubona kure kugira ngo habe gutumbereza ubushakashatsi mu vy'ubumenyi n'ubuhinga ku mahoro n'ineza rusangi igamije guteza imbere umuntu wese uko yakabaye, mu mpande zose tutibagiye n'ineza y'umubano w'abantu.

Agateka ndemanwa ka zina muntu wese hamwe n'umuvukano biradufatanya kubera dusangiye umuryango umwe w'abantu.

None bitegerezwa kuba umushinge w'iterambere ry'ubwo buhinga bwa none, maze bikanafasha

Ibik. urup.8

# Ubwenge buhanitse bw'ubuhinga bwa none n'amahoro

## *(Ibikurikira)*

*(Bitangurira ku rup.7*

kuburimbura imbere yo kubukoresha. Gurtyo, iterambere ry'ubuhinga ngurukana bumenyi rizoranguka mu kwubahiriza ubutungane no mu guterera mu ngendo y'amahoro.

Ni co gituma iterambere ryose ry'ubuhinga bwa none riza ridafasha abantu kwisununura, ahubwo rikavyara amacakubiri n'imishamirano mu bantu bifatiye ku busumbasumbane bwabo, ntirishobora kwitwa iterambere nyakuri. Kuva ubu « Ubwenge buhanitse bufatiye k'ubuhinga bwa none » bugiye kurushirizaho gukomera.

Naho biri uko ibibazo bitandukanye ntivyobura kandi bifatiye ku buhinga nyene, ku kamere ka muntu, ku ndero, ku mibano no ku ntwaro.

Nk'akarorero, ubwo bwenge buremerera abantu ko bugiye gufasha ngo habe ukugabanya abakozi basubiriwe n'imashini, habe ukugwiza umwimbu gushemeye, ukorohereza abantu mu kwiyunguruza bitabagoye, gushinga amasoko ya kijambere agezweho hamwe no kworohereza igikorwa co kwegeranya, gutunganya no gusuzuma inyandiko (nkenerwa mu bisata bitandukanye).

Dutegerezwa gutegera ko hariho impinduka nyinshi kandi zinyaruka ku buryo duhamagariwe guhangana nazo mu kurwanira agateka ka zina muntu, mu kwubaha inzego n'amategeko bishigikira iterambere ryuzuye ry'umuntu.

Ubwo bwenge tuvuga butegerezwa gushikana umuntu ku ciza gisumbirije, acambirwa aho kukinigira mu menshi.

3. **Muri kazoza k'ubuhinga imashini zizokwiyigisha zo nyene.**

Mu buryo butandukanye, « Ubwenge buhanitse bufatiye k'ubuhinga bwa none », naho bukiri mu ntango, buramaze gutuma haba ihindagurika mu buzima bw'imibano, imico, inyifato mu mibano y'abantu no mu ngendo yo kwubaka amahoro.



Iterambere ridakenera umuntu hageze kwiga ari vyo kandi bita "ukwiga kwimbitse" ntiryobura kuvyura ibibazo birengeye kure n'iyo ibijanye n'ubuhinga.

Nkako biza bifatira k'ukugene dutegera ubuzima bw'umuntu, ku ngendo n'intambuko nyamukuru z'ukumenya n'ugutegera ibintu, hamwe n'ubushobozi bwo gutegera ukuri.

Naho hari ivyuma bishobora kwandika ibitari bike mu buryo bwumvikana, ivyo vyo nyene ntibikwiye.

Abahinga bavuga ko ivyo vyuma bishobora kutuzirika ku katsi mu kudushikiriza ibintu womengo ni vyo kandi vyumvikana mugabo mu nyuma ugasanga harimwo amahinyu.

Ivyo ntivyoreka gutera inzoberanya mu gihe «Ubwenge buhanitse bufatiye k'ubuhinga bwa none » bukoreshejwe mu guhubisha abantu bigatuma bata umwizero mu buhinga bwo guhanahana amakuru.

Ubwo buhinga burageramiye cane ingeso nziza yo kumenya kugira aho kwubika ibanga, gukingira ibikorwa vya muntu tutavuze n'izindi nkurikizi zifatiye kw'ikoreshwa nabi ryabwo.

Aha twovuga ugukumirana, ukwivanga mu bikorwa vy'amatora, ugushiraho ingendo mu bantu yo gucungana no kurerekana, ugukumirwa mu bijanye n'ubwo buhinga no gukomeza ku buryo bukabije umutima wa satuntu twanje utuma twikura mu bandi. Ivyo vyose birashobora gutera ukwinubana no kubangamira amahoro.

**4. Ubuhinga buri naho bugarukira.**

Isi yacu ni nini cane ku buryo atawokwihenda ngo arashobora kuyimenya mu mpande zose. Ubwenge bw'umuntu ntibushobora kumenya ivyiza vyose ishishiriye, naho hokoreshwa ubuhinga buhanitse gute.

Ntibushobora kudutomorera neza na neza, ku buryo burangutse, ibijanye n'akazoza.

Ico buduha n'ibiharurongereranyo gusa.Vyose ntibishobora gutegekanywa, canke gushirwa mu biharuro. Mu vy'ukuri uko ikintu kimeze bisumba kure n'iyo iciyumviro kirora kuri co.

Naho twogerageza kubisorongora mu buryo bushoboka, hazokwama hariho aho tudashobora gushika mu gupima canke guharura. Naho ubwo « bwenge buhanitse bufatiye k'ubuhinga bwa none » bushika ku bintu vyinshi, ivyo ntibisigura yuko habuzemwo impengamiro.

***Biracaza***

***Bigiriwe i Vatikano, igenekerezo rya 8 Kigarama 2023***
***Papa Fransisiko***

# Adrienne NAHIMANA yakunzwe muri «Ni nde», yarashengeye i Bukama.



*Amasanamu yo mu bubiko*

***NAHIMANA Adrienne ni nde ?***

NAHIMANA Adrienne yavutse mu 1957, avukira ku mutumba Kabanga, zone Kabanga, komine Giheta intara ya Gitega. Abavyeyi biwe ni BARARWANDIKA Lambert na KAZIRUKANYO Séraphine.

***Aho yagiye arakorera ubutumwa***

1977 : Yarakoreye ababikira Bene Doroteya b'i Murayi;

1980 : Yaciye aja gukorera muri Foyer aho nyene i Murayi ;

1981 : Yaciye aja mu mirwi y'intambo n'ivyese. Ni muri uwo mwaka nyene gushika n'ubu, ari kumwe na bagenzi we yaciye atanguza umurwi «Ni nde» kuri radio na telesiyo vy'igihugu.

Ku wa 23 Ruhuhuma 2024, uwo murwi ninde niho wasinya amasezerano n'iyo radio na telesiyo vy'igihugu.

1982 : Niho yubaka urugo rukristu kumwe na BARANGEZA Henri umushigantahe wiwe ; ariko uwo mushingantahe wiwe mu mwaka wa 2015 yaciye ashengera. Ariko Adrienne NAHIMANA akaba atashimye kuja kwubakana n'uwundi mugabo, ahitamwo kurera uruvyaro rwiwe.

Naho atamashule menshi yari yarize, nticabujije ko Adrienne NAHIMANA, aba umukinyi rurangiranwa; akaba yari mu bakinyi baryosha cane igikino «Ni nde» hamwe n'ibindi vyese bitandukanye yakunda gutumirwamwo. Muri uko kuryosha ico gikino haba harimwo inyigisho na cane cane ku rwaruka, inyifato ibereye abapfasoni hamwe n'imigenderanire y'abakazana na ba inabukwe babo. Ivyo bikaba ari navyo vyamutumye amenyekana yongera aranakundwa cane.

Mu kibano c'aho yaho aba mu Kabanga zone Kabanga Komine Giheta, bavuga ko Adrienne NAHIMANA yarafitaniye imigenderanire myiza n'abanyi

Adrienne NAHIMANA yaramaze igihe kitari gito akitswe n'amagara mu bitaro vyo mu Kibimba biturutse ku ndwara y'igisukari (Diabète), akaba yatanguye gufatwa n'iyo ndwara mu kwezi kwa Mukakaro umwaka wa 2018

Adrienne NAHIMANA, yashengeye i Bukama kw'igenekerezo rya 18 Nzero 2024, afise imyaka 67 y'amavuka. Akaba asize abana 5 murabo harimwo abakobwa 2 n'abahungu 3 hamwe n'abuzukuru 10. Umukobwa wiwe w'umuherezi Renata akaba ariwe yatoranye umwuga wo gukina muri ico gikirino « Ni nde »

Adrienne NAHIMANA yarafise umuryango munini ugizwe ahanini n'abakunzi b'amareresi.

Abarundi n'abanyamahanga benshi bakaba bazomwibukira kw'ijambo «Bikira Maria Mawe» yakunda kuvuga kenshi.

***Imana imwakire mu bwami bwayo.***



*Amasanamu yo mu bubiko*

**Chanel HARINGANJI**

# Uburenganzira bwo kugira izina no kwandikwa mu bitabu ndangamuntu

Umwana wese avutse ategerezwa guhabwa izina no kwandikwa mu bitabu ndangamuntu. Umuvyeyi ategerezwa kwandikisha umwana wiwe mu kiringo gitegekanijwe n'amategeko. Ukwandikwa mu bitabu ndangamuntu ni bwo burenganzira bwa mbere kandi butuma umwana amenyekana mu gihugu.

Ukwo guhabwa izina no kwandikwa mu bitabu ndangamuntuniukw'abana bose hatarabwe ko bavutse ku bavyeyi bubakanye canke batubakanye. Umwana yandikishijwe bituma akingirwa ivyo vyose vyoza bibangamira agateka n'uburenganzira bwiwe.

Uburenganzira bwo kugira izina no kwandikwa mu bitabu ndangamuntu butegekanijwe n'amategeko mpuzamakungu hamwe n'amategeko y'igihugu.

***1. Ingene amategeko mpuzamakungu atunganya ubwo burenganzira***

Uburenganzira bwo kugira izina no kwandikwa mu bitabu ndangamuntu butegekanijwe n'amategeko mpuzamakungu atandukanye : amasezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw'abantu mu vyabo no mu vyerekeye poritike, amasezerano mpuzamakungu yerekeye agateka k'abana hamwe n'a-masezerano ya Afrika yerekeye agateka n'ukubaho neza kw'abana.

a) Mu masezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw'abantu mu vyabo no mu vyerekeye poritike.

Umuvyeyi wese ategerezwa gutorera umwana yibarutse izina n'ukumwandikisha akivuka. Ibi tubisanga mu ngingo ya 24 y'amasezerano mpuzamakungu mu gace kayo ka 2 ivuga ko umwana wese ategerezwa kwandikishwa akivuka akongera akitwa izina.

*b) Mu masezerano mpuzamakungu yerekeye agateka k'abana.*

Umwana wese avutse arafise uburenganzira bwo kwandikwa akivuka kandi agahabwa izina. Tubisanga mu ngingo y'7 mu gace kayo ka mbere ivuga ko umwana wese ategerezwa kwandikwa akivuka, abwirizwa guhabwa izina, akaronka igihugu yitirirwa kandi bishobotse akamenya abavyeyi biwe, na bo bagategerezwa kumurera.

Ibihugu vyashize umukono kuri aya masezerano vyiyemeje kubahiriza uburenganzira bw'umwana harimwo n'ubwo kugira izina.

Bitegekanijwe n'ingingo y'8 mu gace kayo ka mbere aho ivuga ko ibihugu vyemeje aya masezerano vyiyemeje kwubahiriza amateka agenera umwana wese ibimuranga harimwo ukugira igihugu yitirirwa, guhabwa izina, ubucuti afitaniye n'umuryango wiwe, nk'uko bitegekanijwe n'amabwirizwa atawuvyisutsemwo.

*c) Mu masezerano ya Afrika yerekeye agateka n'ukubaho neza kw'abana.*

Umwana wese arafise uburenganzira bwo kugira izina no kwandikwa akivuka. Bitegekanijwe mu ngingo ya 6 ivuga ko umwana wese afise uburenganzira bwo kugira izina, kwandikishwa mu bitabu ndangamuntu akivuka no kugira ubwenegihugu.

Nk'uko duhejeje kubibona, amategeko mpuzamakungu atandukanye aratunganya uburenganzira bwo kugira izina no kwandikwa mu bitabu ndangamuntu. N'amategeko y'igihugu c'Uburundi n'uko nyene.

***2. Ingene amategeko y'igihugu c'Uburundi atunganya ubwo burenganzira***

Mu mategeko y'igihugu c'Uburundi, tuja kwisunga ibiri mw'Ibwirizwa Shingiro n'ibiri mu gitabu c'amategeko agenga ingo n'abantu mu Burundi.

*a) Mw'Ibwirizwa Shingiro.*

Ingingo ya 19 irinjiza mu mategeko n'amabwirizwa bigenga Uburundi amasezerano mpuzamakungu yerekeye agateka ka zina muntu bwashize ko umukono harimwo amasezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw'abantu mu vyabo no mu vyerekeye poritike, amasezerano yerekeye agateka k'abana hamwe n'amasezerano ya Afrika yerekeye agateka n'ukubaho neza kw'abana twisunze mu mategeko mpuzamakungu.

*b) Mu gitabu c'amategeko agenga ingo n'a-bantu mu Burundi.*

Umwana avutse arafise uburenganzira bwo kugira izina. Bitegekanijwe n'ingingo ya 11 ivuga ko umuntu wese ategerezwa kugira izina rimuranga. Rishobora guherekezwa n'iritazirano rimwe canke menshi.

Ukwandikisha umwana yavutse bitegerezwa gukorwa mu kiringo gitegekanijwe n'amategeko.

Tubisanga mu ngingo ya 37 ivuga ko ivuka ry'umwana ritegerezwa kumenyeshwa umukuru w'ibiro ndangamuntu w'aho nyina w'umwana aba mu misi cumi n'itanu ikurikira ivuka ry'uwo mwana.

Ingingo ya 38 ivuga ko ukwandikisha ivuka ry'umwana vyerekeye : se w'umwana ; se atabishoboye, ni nyina w'umwana; se na nyina w'umwana batabishoboye, ni uwo wese yabonye aho uwo mwana avuka.

Umwana yanditswe aronswa urupapuro ruranga aho yavukiye, izina ryiwe, igitsina ciwe n'amazina y'abavyeyi bose iyo ari umwana yavutse ku bavyeyi bubakanye.

*Ibikur. urup. 11*

# Uburenganzira bwo kugira izina no kwandikwa mu bitabu ndangamuntu

(Bitangurira ku rup.10)

3. ***Inkurikizi k'umuntu atanditswe mu bitabu ndangamuntu.***

Nk'uko twabonye ko amategeko mpuzamakungu n'amategeko y'Uburundi ategekanya ko umwana wese avutse ahabwa izina kandi akandikishwa mu bitabu ndangamuntu kugira amenyekane kandi akingirwe ivyo vyose vyotuma agateka kiwe gahungabana, iyo umwana atandikishijwe uburenganzira bwiwe bushobora kutubahirizwa kubera atacemezo c'amavuka yiwe ngo imyaka yiwe ime-nyekane gurtyo ntaharurwe mu bantu bakuze kandi ari umwana.

Muri ico gihe, umwana ashobora gukoreshwa mu ntambara, gupfunganwa n'abakuze, gutakaza uburenganzira bwo gutora n'ubwo kwitoza, guhanwa n'amategeko mpanavyaha kandi atari guhanwa, guhanishwa ibihano bihabwa abantu bakuze kandi hari ivyagenewe abana, kumvirizwa mu ntahe y'icese kandi yari kumviririzwa mu mwiherero, kurenganwa n'igihe co kurondera se yamuvyaye, gukoreshwa ibikorwa bibangamira amagara yiwe hamwe no kutavurwa ku buntu mu gihe atarakwiza imyaka itanu.

Ingingo ya 45 y'Ibwirizwa Shingiro ivuga ko "Bibujijwe ko umwana uwo ari we wese akoreshwa mu vy'urugamba. Mu gihe c'intambara, abana bategerezwa gukingirwa". Iyo atacemeza amavuko yiwe kihari, umwana ashobora gukoreshwa mu bijanye n'urugamba kandi yategerezwa gukingirwa kubera akiri umwana.

Ibwirizwa Shingiro ritegekanya mu ngingo ya 46 mu gace kayo ka 2 ko "Umwana wese apfunzwe ategerezwa gutandukanywa n'imbohe zirenza imyaka cumi n'itandatu y'amavuka kandi agafatwa mu buryo bukwiranye n'imyaka yiwe". Iyo ata rwandiko rwemeza imyaka yiwe, umwana apfunganwa n'abakuze kandi igihe kirekire yari gupfungwa igihe gito gishoboka kubera ubuto bwiwe.

Ingingo ya 51 na yo ivuga ko "Umurundi wese afise uburenganzira bw'ukugira uruhara mu vyerekeye itunganywa ry'ivy'igihugu, yiserukiye we nyene canke biciye ku bamuserukira ariko bidateye kubiri n'amabwirizwa abitegekanya nk'ayerekeye imyaka y'amavuka n'ayerekana ababikwiye. Umurundi wese arashobora kandi gushingwa amabanga yo mu gihugu ciwe".

Mu gihe umuntu adafise icemeza imyaka yiwe, ashobora gutakaza uburenganzira bwo kwitoza n'ubwo kwitorera abamuserukira mu ntwaro y'igihugu ciwe.

Ingingo ya 28 y'igitabu c'amategeko mpanavyaha ivuga ko abana batarashikana imyaka cumi n'itanu badashobora guhanwa n'amategeko mpanavyaha.

Ivyaha bikozwe n'abana batarashikana iyo myaka bitangirwa indishi gusa. Iyo umwana atanditswe mu bitabu ndangamu-ntu, aratakaza uburenganzira bwo kudakurikiranwa n'amategeko mpanavyaha mu gihe yakoze icaha atarakwiza imyaka 15.

Igingo ya 287 y'igitabu c'amategeko yerekeye ingene imanza z'ivyaha ziburanishwa, zitohozwa n'ingene zicibwa ivuga ko mu gihe umuntu afise imyaka iri hagati ya 15 na 18 yakoze icaha gikomeye gituma ategerezwa gupfungwa ivy'agateganyo, ashobora gupfungirwa gusa mu kigo kijejwe kwigisha abana kubana neza canke mu kibanza kiri mw'ibohero kigenewe kwakira abana, itohoza rigirwa n'igisata ca sentare nkuru y'igihugu kijejwe gucira imanza abana rigaheza rikabandanya.

Sentare yose ishikirijwe urubanza rurimwo umwana itegerezwa kuruburanisha mu mwiherero. Iyo ata rupapuro rwemeza imyaka yiwe, urubanza ruca rutohozwa, rukaburanishirizwa mu ntahe y'icese kandi rugacibwa nk'uko bikorwa ku manza z'abantu bakuze.

Umwana arafise uburenganzira bwo kurondera se yamuvyaye mu gihe kitarenga umwaka umwana ashikanye imyaka itegetswe kugira ngo yemezwe ko akuze. Iyo atacemeza amavuko yiwe kigaragara, ashobora gutakaza uburenganzira bwo kurondera se.

Itegeko nshikiranganji n° 630/1 ryo ku wa 5 nzero 1981 rituganya akazi k'abana, mu ngingo ya 13 ritegekanya ko umuntu atarashikana imyaka cumi n'umunani adakoreshwa ibikorwa bishobora kubangamira ubuzima bwiwe.

Aho twovuga nko kwimba ubutare, gukora ibijanye n'umuyagankuba, ibikorwa bikorerwa mu mazink'ugutwara ubwato canke akazi ko mw'ijoro. Umwana ashobora gukoreshwa ibikorwa nk'ivyo bibangamira amagara yiwe kandi yategerezwa gukingirwa.

Umwana atarakwiza imyaka 5 avurwa ku buntu. Iyo umwana atanditswe mu bitabu ndangamuntu ngo aronswe urwandiko rw'amavuko aratakaza uburenganzira bwo kuvurwa ku buntu.

Mu gusozera, twagira twibukanye ko umwana wese afise uburenganzira bwo kugira izina no kwandikwa mu bitabu ndangamuntu akivuka kandi ubwo burenganzira n'ubw'abana bose ata gucagura na kumwe.

Twobamenyesha kandi ko igitabu c'amategeko mpanavyaha gitegekanya mu ngingo ya 374 igihano c'ihadabu riva ku mafaranga ibihumbi cumi gushika ku bihumbi mirongo itatu vy'amafaranga y'amarundi kuri uwo wese yategerezwa kwandikisha umwana mu bitabu ndangamuntu canke gufutisha uwapfuye ntabikore mu kiringo gitegekanijwe n'amategeko.

*Ikigo ca leta kijejwe guteza imbere agateka ka zina muntu no gukinga ihonyabwoko «CPDHPG »*

# Vavanura n'amajambo ababaza mugaruke kw'ijambo ry'Imana

Kuva mu mwaka wa 2020, uko umwaka utashe, ku munsi w'Imana ugira 3 mu gihe gisanzwe c'amasabamana, Ekleziya yama ihimbaza umunsi w'Imana w'ijambo ry'Imana. Uyu mwaka, uwo munsi ukaba washitse kw'igenekerezo rya 21 Nzero.

Kuri uyo munsi Papa Fransisiko yahereje inkuka y'imisa i Vatikano mw'isengero yitiriwe umweranda Petero.

Mu nsiguro yatanze, amaze kwibutsa ijambo ry'Imana ryari ritegekanijwe mu masabamana y'uwo munsi ; aho igisomwa ca mbere tugisanga mu gitabu c'umuhanuzi Yonasi (Yonasi 3,1-5.10) ; igisomwa ca kabiri tukagisanga mw'ikete rya mbere Umututmwa Paulo yandikiye Abanyakorenti ( 1 abanyakorenti 7,28-31) ; inkuru nziza kwa Mariko (Mariko1, 14-20) yamenyesheje ico ijambo ry'Imana rimaze mu buzima bw'umukristu.

Ijambo ry'Imana ni ubukomezi budukwegera ku Mana. Abarovyi baryumvise baciye baheba insenga zabo bakurikira Yezu. Ni ubukomezi buturungika kandi ku bari kure y'Imana ngo bagaruke. Ni vyo Yonasi yaranguye amaze kuryumva yagiye agana abari kure y'Imana i Niniva. Ijambo ry'Imana ritwegereza Imana, rikongera rikatwegereza benewacu.

Iryo jambo ry'Imana, rikora mu mitima yacu nkuko ryakoze mu bibigishwa ba mbere, bamaze kwakira ijambo Yezu Christu yabayagiye baciye baheba insenga zabo baramukurikira. Batangura gurtyo ubundi buzima bwuzuye akanyamuneza hamwe na Yezu Kristu. Natwe kunkengera y'ubuzima bwacu, Yezu araduhamagara ngo dutambukane kugira dukize abandi.

Ijambo ry'Imana rirakabura muri twebwe umutima w'ubutumwa, rikatugira abamenyesha inkuru nziza nabarishingira intahe muri ino si yuzuye amajambo kenshi na kenshi asambura imitima, inyotewe Ijambo ry'Imana ryirengagizwa nabatari bake.

Duhamagariwe kutirengagiza ijambo ry'Imana, mu bukomezi bwayo bwongorera mu kiganiro c'umwe umwe rigakora ku mutima, rikiyandika mu muzirikanyi rikawusubiza itoto mu mahoro ya Yezu Kristu.

Turabiye kubaryakiriye kera, rikabagira abagenzi ba Yezu « aberanda » turabona ko mu buzima bw' umwe umwe ko ijambo ry'Imana baryakiriye bimwe birangutse.

Nk'umweranda Antoine yabaye umuzirazuba wa mbere kubera ijambo ry'Imana ryamushitse ku nyota dusanga kwa Matayo mweranda ( Matayo



19,21) aca aheba vyose abihereza aboro akurikira Yezu. Augustino mweranda,Tereziya w'Umwana Yezu, Fransisiko w'i Asize n'abandi, ubuzima bwabo bwamurikiwe buhindurwa n'Ijambo ry'Imana.

Siko bimeze kuri bose, umwe wese yokwibaza igituma bidakunda ko ubuzima buhindurwa n'ijambo ry'Imana twumviriza, kenshi turaryumva rigaca m'ugutwi kumwe rigasohokera mu kundi. Kenshi dutwagwa n'ayandi majambo bigatuma ijambo ry'Imana ritaronka ikibanza.

Kenshi turaryumwa ariko ntituritega ugutwi; turaritega amatwi ariko ntiturigumya; turarigumya ariko ntitureka ngo riduhindure; kenshi turarisoma ariko ntiturisengesha mu gihe igisabisho cacu cojana n'ugusoma ijambo ry'Imana kugira habe ikiganiro hagati yacu n'Imana.

Ntitwibagire intambwe zibiri z'igisabisho ku mukristu: ukumviriza ijambo ry'Imana hamwe n'igisabisho c'imvamutima, iryo jambo rigaheza rikabohora imitima kenshi usanga yiziziwe n'ingeso mbi y'ubwiyorobetsi ikawuzuzamwo ukwizigira.

Bibiliya iratwereka ko ijambo ry'Imana ridasi-ga umutima uryakiriwe ukwo warisanze. Izaya agereranya ijambo ry'Imana n'imvura n'urubura ati: «Nk'uko imvura n'urubura bimanuka biva mw'ijuru maze ntibisubireyo bitavomeye isi, bitayirondoye kandi bitamejeje ibiterwa, bidahaye imbuto umubivyi n'imfungurwa, niko n'ijambo rivuye mu kanwa kanje rimeze ». (Izaya 55,10-11)

Papa akaduhamagarira kugaruka kw'isoko kugira duhe isi amazi y'ubuzima itaronka. Ati mu gihe tugezemwo, aho ubuhinga ngurukana bumenyi butsimbataza gukwiragiza amajambo ababaza abandi, ducakamire ijambo y'Imana rikiza, ryorosha, ritavuza induru, rigaheza rikinjira mu mutima rikahuzuza ubwiza bw'Imana.

*M S V Marie Goreth Ndikumana*